www.kidworship.kr


75Page


76Page


77Page


78Page


79Page

# Umusezi Lazaro

- 12nd story -

Harabaye umuntu yari atunze cane . Yaba mu nzu iteye igomwe akambara n'impuzu zizimvye cane kandi buri munsi yafungura indya ziryoshe kandi akaba no mu buzima bw'umunezero. Uwo mutunzi yatumira abntu iwe imisi yose kunezerwa , yama anerewe imisi yose yuzuye akanymuneza ariko ntiyigeze yizera Imana. Yabayeho ataco yitaho yikunda.

---

Imbere y'inzu y' uwo mutunzi hari umusezi yitwa Lazaro . Yaryama kwirembo yuzuye ibisebe. Yambara impuzu zicafuye hanyuma agatora ibikorotse munsi y' imeza y'uwo mutunzi nta muntu yigera abona ko Lazaro afise ico amaze kuko yanuka umubiri wose. Ariko Lazaro yizeye Imana kandi.

---

Hanyuma umunsi umwe Lazaro umusezi arapfa. Abamalayika baraza bajana Lazaro mw' ijuru bamushira mu kiganza ca Aburahamu umwe yashimirwa ukwizera Imana kwiwe kandi akaba sokuruza mu kwizera.

---

Haheze igihe gito, wa mutunzi nawe arapfa arahambwa aja i kuzimu arababazwa cane aratuntuzwa. Gehinomu yari nko mu kiyaga caka umuriro utazima. Wa mutunzi aguma aboroga arondera amazi yo gukorokereza mu mihogo yaka.

---

Ariko arababazwa, wa mutunzi arangamiza hejuru abona kure mw' ijuru. "Iki? Ibi vyoshika gute? Ni gute umusezi Lazaro yoba i ruhande ya Aburahamu sokuruza w' abizeye? "
Uwo mutunzi arangamiza hejuru afise ubwoba bwinshi. Agirira ishari Lazaro. Ahamagara sekuruza Aburahamu.
Data Aburahamu! Ndakwinginze untabare! Ndiko ndasha muri uwu muriro. Haraturira birenze! Ndakwinginze urungike Lazaro akoze urutoke mu mazi ajojotereze ku rurimi rwanje kuko ndi mu mubabaro muri uno muriro.

Aburahamu aramwishura.

Muhungu, Lazaro ntiyoshobora kuza iyo. Ibuka ko mu buzima wabayeho yaronse ubutunzi hanyuma ubaho mu bikunezereza mu gihe Lazaro yaronse bibi kandi abaho mu kigoyi n' umubabaro. Ariko ubu yarahojejwe ngaha nawe uri mu mubabaro i kuzimu, bitayeko, hagati yacu nawe hari imanga nini kuburyo ata woshobora kuza iyo canke ngo ave iyo aze ino.

..........................................................................................................



80Page

N'agahinda kenshi, uwo mutunzi yinginga Aburahamu.

None ndakwinginze upfume urungika Lazaro mu nzu ya Data aburire umuryango wanje n' abavukanyi kugira ngo ntibazoze muri iki kibanza c'amarushwa!

Aburahamu aramwishura:

Barafise Mose n' abavugishwa n'Imana nibabumvirize. Nibatabumviriza ngo bihane, ntibazokwemera naho bobwirwa n'uwazuye mu bapfuye.

Oya data hamwe hogenda umuntu yazutse mu bapfuye bokwihana bakizera Yesu. Ndakwinginze! Batabare!" , wa mutunzi yinginga.

Aburahamu arongera abarira wa mutunzi.

Si uko biri. Abo batumvirije intahe ziboneka ntibazokwigera bumviriza ngo bihane naho abapfuye bogenda kubaburira uko i kuzimu hateye ubwoba, kandi ntibazokwigera bizera Yesu. Ku bw'ivyo birakenewe kumvirza neza amajambo y'Imana hama ukihana ukiri muzima.

Uwo mutunzi igihe yari akiri muzima ntiyigeze afasha Lazaro. Ntiyigeze amenya gukunda bagenziwe.

..........................................................................................................



81Page

Nk'uyu mutunzi, niyo tutakunda bagenzi bacu, ntituzokwitwa abana b'Imana. Yesu atwigisha gukunda Imana no gukunda bagenzi bacu nk'uko twikunda.